INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

Sénat

GISOHOKA RIMWE MU KWEZI N°073 Rusama 2014

Umunsi mukuru w'abakozi n'akazi

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ahamagarira abenegihugu gukomeza iterambere, amahoro n'umutekano

Mu birori vyo guhimbaza umunsi mukuru mpuzamakungu w'abakozi n'akazi, kw'igenekerezo rya 01 Rusama 2014, mu gisagara ca Bujumbura, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yahamagariye abenegihugu gukura amaboko mu mpuzu no gufatana mu nda mu ntumbero yo gutsimbataza iterambere, amahoro n'umutekano.

Icivugo c'uwo munsi ari na co c'uno mwaka kikaba ari ''**Duhuze umutima n'inama, dushigikire twongere dushire mu ngiro umugambi mukuru wo kuvuza abanyagihugu, kuko amagara ari inkingi y'iterambere rirama**''.

Mw'ijambo yashikirije kw'izina rya Reta, Nyakwubahwa Ntisezerana, yamenyesheje ko uwo munsi ari akaryo ku mukozi wese ko kwinegura ku vyo yaranguye n'ivyo ataranguye muri uno mwaka mu gukosora ibitagenze neza. Ati: ''Tubwirizwa gukunda akazi kugira ngo dukomeze iterambere twongere tugwanye ubukene».

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yahanuye abakozi n'abakoresha kubanza kuvugana imbere yo kurangura umugambi uwo ari wo wose kugirango hakomezwe iterambere rya bose kandi rirama. Yaciye ahamagarira abenegihugu gusenyera ku mugozi umwe, bakorere Uburundi bongere babukunde vy'ukuri. Ku vyerekeye iterambere, yashikirije ko indongozi z'igihugu zishima intambwe Uburundi bugezeko, n'ikimenyamenya akaba ari amashure y'intango, ayisumbuye, kaminuza, amavuriro, amasengero, ingoro z'imigambwe, ibiro, ibibuga vy'inkino n'ibindi vyubatswe mu bikorwa vy'iterambere rusangi. Nyakwubahwa Ntisezerana yahimirije urwaruka kuja mu mashirahamwe no kwiyumvira imigambi y'iterambere mu kworohereza Reta n'abayifasha mw'iterambere gushigikira urwo rwaruka. Yavuze ko Reta izokora ibishoboka vyose kugirango iteze imbere amagara y'abantu, indero n'imiryango.

Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana ashikiriza ijambo ry'uwo munsi

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yasavye abakozi n'abakoresha kwubahiriza amasaha y'akazi kugira ngo bongereze umwimbu. Yahanuye abanyeshure bari muri yegereyegere gusubira kwiga, hanyuma babandanye basaba ivyo bipfuza bari ku kivi. Ati: ''Dukunde akazi n'igihugu cacu niho ingorane dufise zizotorerwa inyishu».

Mu guhimbaza uwo munsi mukuru, icegera ca mbere c'umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Persille Mwidogo, n'ica kabiri, Nyakwubahwa Pontien Niyongabo, bari baserukiye Reta mu ntara za Ruyigi na Bujumbura.

Abakozi bo mu Nama Nkenguzamateka ntibari batanzwe kw'idefire y'ivyo birori

Benoît Ngendakumana

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka asaba Ubudagi gufasha impfuvyi, abapfakazi n'abasubijwe mu buzima busanzwe

Mu mubonano yagiranye n'intumwa z'abashingamateka b'igihugu c'Ubudagi zirongowe n'umushikiranganji Peter Friedrich, ajejwe umugabane w'i Buraya hamwe n'imigenderanire n'ibindi bihugu, kw'igenekerezo rya 27

Nyakwubahwa Ntisezerana na Peter Friedrich bishura ibibazo vy'abamenyeshamakuru

Rusama 2014, umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yasavye ko igihugu c'Ubudagi cobandanya gifasha Uburundi mu bijanye n'iterambere.

Muri uwo mubonano, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'abashitsi bamugendeye baganiriye ahanini ivyerekeye imigenderanire y'ugufashanya hagati y'Uburundi n'Ubudagi. Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yamenyesheje ko Ubudagi busanzwe bufasha mu bisata bitandukanye nko mw'iterambere ry'amakomine, amagara y'abantu, gukwiragiza amazi meza mu gihugu, n'ibindi.

Kubera ko Uburundi bwahuye n'amagume y'intambara yamaze ikiringo kirekire, Nyakubahwa Gabriel Ntisezerana yasavye abo bashitsi kubandanya bashigikira Uburundi na cane cane mu gufasha impfuvyi, abapfakazi n'abasubijwe mu buzima busanzwe.

Uwari arongoye izo ntumwa z'Ubudagi, Peter Friedrich, yamenyesheje ko igihugu ciwe cipfuza kandi gukomeza imigenderanire y'ugufashanya n'ukwongereza ubumeneyi hagati y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'ivyo bihugu bibiri kugira ngo abarundi batere imbere mu vya poritike, ubutunzi n'imibano. Yasozereye avuga ati: ''Tuzobandanya dufashanya mu guteza imbere cane cane ibisata vy'amasoko ntanganguvu, amagara y'abantu n'amazi''.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarashimye imigenderanire myiza isanzwe iri hagati y'Uburundi n'Ubudagi busanzwe bufasha bimwe biboneka mu bisata bitandukanye bigize ubuzima bw'igihugu.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka aremeza ko amatora yimirije azogenda neza cane

Mu mubonano yahaye intumwa idasanzwe ya Reta zunze ubumwe za Amerika mu karere k'ibiyaga binini, Umukenguzamateka Russell D.Feingold, ku wa 30 rusama 2014, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yarijeje umushitsi wiwe n'abo bagendanye ko amatora yo mu mwaka wa 2015 azogenda neza cane.

Muri uyo mubonano abo banyacubahiro babiri baganiriye ahanini ku bijanye n'amatora yo mu mwaka wa 2015 hamwe n'imigenderanire hagati y'Uburundi na Reta zunze ubumwe za Amerika.

Inyuma y'umubonano abo banyacubahiro baramenyesheje ko imigenderanire hagati y'ivyo bihugu bibiri yifashe neza cane. Umukenguzamateka Russell D.Feingold yasavye ko amatora yimirije yoba mu mwidegemvyo kandi yugururiwe bose, aca amenyesha ko igihugu ciwe kizoyakurikiranira hafi kuva mu myiteguro kugeza arangire.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarasiguriye abo bashitsi biwe ko imigambwe yose yemerewe n'amategeko mu Burundi igira amanama ku mugaragaro kandi ko iyo hagize ukutumvikana hagati y'abanyamigambwe n'abatware bo ku

Uva i buryo: Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, Russell D.Feingold na Dawn M.Liberi

nzego zo ahasi, izo ngorane zica zikemurwa mu maguru masha n'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu. Yaboneyeho n'akaryo ko gusaba urwaruka rwo mu migambwe itandukanye guharanira amahoro n'umutekano mu gihugu.

Ku bijanye n'ipfungwa rya bamwe mu bavuga ko bazira imvo za poritike, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yasavye ko abarundi boreka ubutungane bugakora bwigenga kandi bwubahiriza agateka ka zina muntu kugira ngo uwakoze icaha agihanirwe, uwutagikoze na we yezwe n'ubutungane.

Muri uwo mubonano, iyo ntumwa idasanzwe yari yaherekejwe n'uwuserukira Reta zunze ubumwe za Amerika mu Burundi, umupfasoni Dawn M.Liberi.

Apollinaire Ruhanga

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ahimiriza abenegihugu gutsimbataza amahoro no kwijukira uburimyi n'ubworozi

Mu buruhuko bw'ukwezi kwa Rusama 2014, abakenguzamateka barifadikanije n'abenegihugu babatoye mu bikorwa bitandukanye vy'iterambere rusangi nk'uko bama babikora.

Nyakwubahwa Ntisezerana (hagati) yifadikanije n'abenegihugu mu bikorwa vyo kwubaka ibiro vya zone Mitakataka

Mu kiringo c'ubwo buruhuko, umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yifadikanije n'abenegihugubo mu makomine ya Gihanga, Mpanda, Bubanza na Rugazi yo mu ntara ya Bubanza.

Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana mu bikorwa vyo kwubaka ishure nshingiro ku musozi Gahwazi II muri komine Mpanda

Ahanini ivyo bikorwa vyari ivyo kwubaka amashure nshingiro n'ibiro vy'amazone.

Aho yagendeye hose, Nyakwubahwa Ntisezerana, yahimiriza abenegihugu kubandanya batsimbataza amahoro n'umutekano kuko ari vyo mushinge w'iterambere rirama.

Yateye akamo abanyabubanza na cane cane urwaruka kwijukira uburimyi, ubworozi n'ubudandaji kugira ngo biteze imbere. Ati: "Umwansi rusangi ni ubukene".

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yasavye abenegihugu kugwanya ubunebwe no kwihatira ku bikorwa vy'iterambere ry'igihugu na cane cane iry'imiryango yabo.

Nyakwubahwa Ntisezerana yifadikanije n'abenegihugu mu bikorwa vyo guseha amabuye yo kwubaka ibiro vya zone Ruce muri komine

Kubera amatongo abandanya yaga bivanye n'irwirirana ry'abantu, yabahanuye kugabanya imvyaro no kugwanya uguharika mu ntumbero yo kwirinda indyane mu miryango.

Ku vyerekeye ibihuha vyavuzwe ko hari ibirwanisho vyoba vyarahawe abarundi bamwe bamwe, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yamenyesheje ko ari irementanya, ko ahubwo Reta ibandanya umugambi wo kubikura mu banyagihugu.

Yaciye ahanura abenegihugu kuguma bafatanye mu nda, kudoma urutoke ku nkozi z'ibibi no kugwanya ibihuha na cane cane muri kino kiringo himirije amatora.

Benoît Ngendakumana

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarateye iteka ibirori vy'inkino zisozera ihiganwa rya Basketball ku rwego rw'igihugu

Mu birori vyo gushikiriza ibikombe imirwi yabaye iya mbere mu rukino rw'umupira w'amaboko Basketball, umukuru w'Inama Nkenguzamateka yasavye abenegihugu bo mu ntara ya Cibitoke kubumbatira amahoro, kurwanya abakora amarementanya, kutihanganira abakwiragiza ibihuha n'abatera ubwoba abenegihugu binyegeje inyuma y'imvo za poritike.

Ivyo yabimenyesheje kw'igenekerezo rya 25 rusama 2014, ku kibuga c'umupira wa Basket ca S.O.S Cibitoke aho yari yaserukiye Reta y'Uburundi mu birori vy'inkino za nyuma z'urukino rw'umupira w'amaboko basket, ku rwego rw'igihugu.

Mw'ijambo ryiwe, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yarashimiye cane imvukira z'intara ya Cibitoke zafashije kugira ngo izo nkino zishobore kuba haba mu gutanga intererano y'amafaranga canke gushigikira mu bundi buryo.

Yarashimiye kandi umushikiranganji ajejwe inkino hamwe n'uwurongoye urukino rwa Basketball ku rwego rw'igihugu ku kungene biyumviriye ko inkino za nyuma nk'izo zoza zirabera hagati mu gihugu.

Nyakwubahwa Ntisezerana ariko ashikiriza igikombe

Yaboneyeho no gusaba abarongoye izindi ntara z'igihugu ko bokurikiza ako karorero keza k'intara ya Cibitoke kugira ngo mu gihugu cose urukino rwa Baskeball rutere imbere.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ntiyibagiye gukebura urwaruka rwo mu ntara ya Cibitoke ko rwokwijukira umukino wa Basketball maze haze havemwo abakinyi rurangiranwa.

Ahejeje gukeza abakinyi bari babaye abambere, yaciye abibutsa ko bafise igikorwa gikomeye co kuzoserukira Uburundi mu mahiganwa mpuzamakungu aca abasaba guca batangura imyimenyerezo yo kuyitegurira.

Ihiganwa rya Basketball hagati y'imirwi y'Urunani na New Star

Yarangije asubira gusaba abari aho gushigikira inkino bongera babumbatira umutekano muri ibi bihe hegereje amatora.

Mu nyuma haciye hatangwa ubushimwe ku mirwi yari yabaye iya mbere. Ku ruhande rw'abahungu, umurwi Urunani watsinze New Star ku manota 50 kuri 45; ku ruhande rw'abigeme na ho umurwi Berco Star utsinda « les Gazelles » bigoranye ku manota 45 kuri 43.

Izo nkino zari zatewe iteka kandi n'umushikiranganji ajejwe inkino, uw'umutekano, abashingamateka n'abakenguzamateka, Buramatari w'intara ya Cibitoke, abarongoye abandi mu buzi, abakunzi b'urukino rwa Basketball bo mu ntara ya Cibitoke n'abavuye mu zindi ntara z'igihugu.

Apollinaire Ruhanga

Inama Nkenguzamateka

Uruganda rw'ikinyamakuru

Umukuru w'iyandikiro:
Apollinaire Ruhanga

Abanditsi:
Benoît Ngendakumana
Clotilde Kampimbare

Amasanamu:
Prosper Bizimana

Maquette et Impression:
IMOBU,Tél.: (+257) 22 222214